# Abana barezwe

## Bigenda gute iyo abana banje barezwe?

5




Legal Aid NEW SOUTH WALES

# Abana barezwe

## 5 Bigenda gute iyo abana banje barezwe?

**Hari udutabu dutanu twahinduwe mu rurimi mu vy'abana barezwe tuboneka muri Legal Aid NSW.**

1. Ibikorwa vya kominote vyifuza kuvuga ku bijanye n'abana banje: Mbega hazoba iki?
2. Kugenda muri sentare y'abana.
3. Ibintu vyarahindutse kandi ndakeneye ko abana banje bogaruka. Mbega nokora iki?
4. Sentare y'abana yafashe ingingo itanshimisha, mbega nokora iki?
5. **Mbega bigenda gute mu gihe abana banje barerewe ahandi?**



**Vyakozwe n'shirahamwe rya Legal Aid NSW** **Gitugutu 2013**

Uru rwandiko rwashizweho nk'inzira rusangi y'itegeko. Ntirukwiriye kwisungwa nk'impanuro y'itegeko kandi bisabwa y'uko wovugana n'umunyamategeko ku bintu bikwerekeye wewe ubwawe. Mu gihe c'iyandikwa, inkuru yerekanwa iba ari yo ariko irashobora gusubirwamwo igahinduka.

Tumako inzandiko kuri internet **www.legalaid.nsw.gov.au/publications** canke urungike 'email'kuri **publications@legalaid.nsw.gov.au** canke mugutelefona kuri **9219 5028**

Ni waba ufise ingorane z'ukwumva canke kuvuga ushobora kudushikira ukoresheje murongo National Relay Service (NRS) **133 677**

Telefone ya Interpreter Service ni **131 450**

Legal Aid NSW barubahiriza urwandiko rwambere rwasohotse *The Children's Court, Care, My Child and Me* Rwavuye muri Shoalcoast Community Legal Centre.

Ukeneye izindi nkuru ku vyerekeye Legal Aid Services:

## Mbega bigenda gute iyo Sentare ishize abana banje mu burezi bw'Ubuzi bwa Kominote?

Mu gihe abana bawe bashizwe bu burezi, Ubuzi bwa Kominote buca burondera aho bubashira hatekanye kandi hakingiwe. Mu gihe abana bawe bafise ibibazo vyo ku rwego rwo hejuru, bakeneye gukwirikiranirwa hafi, canke gutegekanirizwa kwibana mu bwigenge, aho hantu hashobora kuba ku ncuti canke ku muntu wo mu muryango, umurezi, inzu y'ukubamwo.

Umurezi ashobora kuba umuntu yibana, canke umugore n'umugabo. Bashobora kuba bafise abana babo canke hashobora kuba hari abandi bana baharerewe. Hari abarezi bava mu mico n'amadini bitandukanye.

## Ninde afata ingingo ku bana banje mu gihe barezwe?

Uw'ari we wese afise amabanga y'uburezi ashobora gufata ingingo ku bana. Rimwe na rimwe amategeko ya Sentare araha amabanga y'uburezi abantu barenga umwe, kuri ico rero birakanewe ko uraba ico amategeko avuga.

Mu bihe bimwe bimwe, abavyeyi barahabwa amabanga y'uburezi ku bibazo nk'idini n'umuco n'iyo abana baba barezwe.

Mu gihe Sentare yahaye amabanga y'uburezi bw'abana bawe Umushikiranganji w'Ibikorwa vya Kominote, abakozi bakujejwe bazoshobora kubafatira ingingo. Rimwe na rimwe abarezi bagengwa n'amashirahamwe afise abakozi bafata ingingo kw'izina ry'Ubuzi bwa Kominote.

N'aho, abarezi badafise amabanga y'uburezi, bashobora kuguma bafata ingingo zerekeye uburezi bw'abana bawe bw'umusi ku musi. Aha harimwo ugufata ingingo zerekeye impuzu, n'imideri y'imishatsi (kiretse iyo ibi bifise agaciro ku muco n'idini), ibiribwa, indero canke inyifato, kuja mu bikorwa vy'inyuma y'ishure, n'ukuvura utuntu duto duto twihutirwa.

Ukeneye izindi nkuru ku mabanga y'uburezi n'aingingo za Sentare, raba **AGATABU KA 2: Kugenda muri Sentare y'abana.**



## Nomenya gute uko abana banje bamerewe?

Birakenewe ko ubona ko Ibikorwa vya Kominote bifise ibikuranga vyawe vy'ubu kugira ngo bashobore kuvugana nawe. Birakenewe kandi ko uguma uvugana n'umukozi akujejwe yegwa n'ivy'abana bawe kandi ubonereho n'akaryo ko kumenya ingene abana bawe bariko batera baja imbere mu kumubaza ibibazo.

Urakwiye kuronka inkuru zerekeye uko abana bawe batera baja imbere, harimwo ivy'amagara yabo n'ingene bakora mw'ishure. Ushobora gusaba ubuzi bwa Kominote bakaguha amakopi y'inzandiko nka raporo z'ishure.

Urakwiye kuja mu manama y' integuro z'urubanza ukagira ic'uvuze ku bana bawe, na canecane mu gihe ingingo ziriko zirafatwa kuri kazoza kabo.

Mu gihe urubanza rwerekeye uburezi ruheze, Sentare ishobora rimwe na rimwe gutegeka Ubuzi bwa Kominote gutegura raporo z'uko ingene abana bawe bamerewe. Uzorungikirwa kopi yazo kiretse Sentare itegetse ko ivyo bitoba.

## Ivyo kubonana vyo bite?

Kiretse mu bihe bike cane rwose, akenshi abana barezwe barabonana n'imiryango yabo.Integuro z'uko ubonana n'abana bawe zitegerezwa kuba ziri mu nteguro y'uburezi (raba **AGATABU KA 2: UKUGENDA MURI SENTARE Y'ABANA**).

Iyo Sentare y'abana yafashe ingingo yerekeye umuntu ashobora kubonana n'abana bawe, ubwo rero ingingo ntitegerezwa gukwirikizwa. Ingingo izoshinga incuro ukubonana kuzoba kandi nimba kuzokenera gucungerwa.

Rimwe na rimwe Sentare irashobora gusohora "urwisungo" mu kibanza c'ingingo. Ibi ntibihagararirwa ariko bitanga umuyoboro ku kuntu umubonano wogenda, kandi hakaba hakiri ukutadadaza mu gihe ibintu bihindutse.

Ibuka ko amategeko y'ukubonana hamwe n'integuro y'uburezi bishiraho urugero ruto rw'ukubonana. Ico bisigura ni uko bishobora kugushobokera kuronka imibonano yiyongerako hamaze gushirwaho amategeko, ariko gusa, iyo umuntu afise amabanga y'uburezi ku bana bawe avyemeye.

Mu gihe ibintu bigenda neza cane kandi abana bawe bakaba baronka akarusho mu kubonana kwanyu, imisi yose birashoboka kwemera kwongeza incuro ubonana n'abana bawe.

Iyo wiyumvira ko abana bawe bazogira akarusho mu kubonana nawe kenshi hanyuma umuntu afise amabanga y'uburezi akanka, woshobora kuronka impanuro z'amategeko mu kwuzuza ifomu y'igice ca 90 ari yo yitwa ifomu y'uguhindura canke ugufuta kugira ngo itegeko ntabanduka




rihinduke. (raba **AGATABU KA 3: ibintu vyarahindutse kandi nifuza kw'abana banje bagaruka: nokora iki?**).

Rimwe na rimwe birashoboka kugira integuro kugira ngo uronke terefone canke ubundi buryo bwo kuvugana n'abana bawe. Ibi bizoshirwa mw'itegeko ry'ukubonana canke mu nteguro y'uburezi.

Akenshi birashoboka ko wandikira abana bawe mu gihe barezwe. Uzokwama utuma ikete mu Bikorwa vya Kominote nabo bakazoca barirungikira abana bawe. Urashobora kurungika amakarata n'amakete umwanya uw'ari wo wose. Urashobora gushira mwo amafoto ubishatse. Urashobora kandi gusaba kurungika utuganuke ku misi yihariye mu gihe bivuye impamvu kanaka udashobora kubonana amaso mu yandi n'abana bawe. Ukwiye kubona ko izi nteguro z'imibonano zanditswe mu mategeko canke mu nteguro y'uburezi.

Iyo ushaka kugiriranira umubonano n'abana bawe ni ngombwa cane ko uw'ari we wese afise amabanga y'uburezi bw'abana bawe amenya ingene akuronka. Mu gihe wimutse canke iyo inomero za terefone yawe zihindutse, utegerezwa kubabwira.

Ni ngombwa ko witaba imibonano yose y'abana bawe. Iyo usivye kugendera abana bawe kandi ukaba udafise itegeko rya Sentare rikubuza umubonano,umuntu afise amabanga y'uburezi ashobora

## Mbega ni kangahe nobonana n'abana banje?

- Mu gihe urubanza rukibandanya, imibonano yawe ntihinduka. Ku nzoya bishobora (ariko si imisi yose) kuba akarenga rimwe mu ndwi. Ku bana bisumbuye bishobora kuba rimwe mu ndwi canke rimwe mu ndwi zibiri.
- Iyo Sentare ishinze ko abana bawe bagiye kugaruka mu rugo iwawe, ukubonana nabo gushobora kwongerekana gushika bashoboye kuza iwawe ubutakihava. Ibi vyitwa ugusubizaho.
- Mu gihe Sentare ishinze y'uko abana bawe batagiye kuzogaruka iwawe, aho rero ukubonana kwanyu kuzogenda kuragabanuka buhoro buhoro.
- Incuro ufise imibonano zivana ahanini n'ibiringo vy'abana bawe, umwe wese ukwiwe—imyakayabo, amagara yabo, aho baba, ivyo bamenyereye gukora, amasaha y'ishure, n'ibindi bintu bitandukanye biba mu buzima bwabo.

kugabanya incuro ufise z'ukubonana n'abana bawe.

## Mbega bigenda gute Ubuzi bwa Kominote buriko buranka gushira abana banje mu muryango wanje?

Mu gihe Umushikiranganji w'Ibikorwa ya Kominote afise amabanga y'uburezi ku bana bawe, ubwo rero Ibikorwa vya Kominote bishobora kugena aho abana bawe bazoba. Sentare y'abana ntishobora kubwira Ubuzi bwa Kominote aho gushira abana bawe.

Uw'ari we wese mu muryango wawe ashobora gusaba Ibikorwa vya Kominote kumuha uruhusha rwo kurera. Iyo Ibikorwa vya Kominote vyanse kubigira,birashoboka ko uyo muntu wo muryango wawe asaba ingingo z'uburongozi bwa Sentare gusubiramwo ingingo z'Ubuzi bwa Kominote.

Ufise umuntu wo mu muryango canke umugenzi yipfuza kukurerera umwana, hanyuma Ibikorwa vya Kominote bikaba bitemera, mubwire asabe impanuro z'amategeko.

## Ko mfise impungenge z'abana banje barezwe: nogenda hehe?

Ufise impungenge ko abana bawe batamerewe neza mu burezi, vugana n'umukozi agushinzwe mu maguru masha.

Iyo ubonye ikintu kigutera amakenga wagiye kubonana n'abana bawe, kimenyeshe umuhagarikizi kandi umusabe kucandika. Gira uko ushoboye ugikwirikirane mwe n'umukozi akujejwe.

Wibaza ko abana bawe bari mu ngorane kandi Ibikorwa vya Kominote bikaba bitariko birishura ikibazo cawe, hamagara umurwi wo gukingira abana ku nomero **132 111**.

Ufise amakenga ku bana bawe canke ufise ingorane zo kuvugana n'Ibikorwa vya Kominote, kandi ukaba udashobora gutora umuti wizi ngorane uri kumwe n'umukozi w'abana canke umuyobozi bivuge mu Buzi bwa Kominote ku murongo w'ugutura ingorane **1800 000 164**.

Wumva utarashira amakenga, ushobora gutura ingorane zawe ku wugenzura ibikorwa vy'abantu w'I NSW kuri: **www.ombo.nsw.gov.au**

Uwugenzura ibikorwa vy'abantu, ni umurwi wigenga ufise akazi ko kuraba ko amashirahamwe ari maso (harimwo n'Ibikorwa vya Kominote), ko bakora amanga yabo uko bikwiye kandi batera intambwe mu gushikana imfashanyo zabo ku banyagihugu.

### Kuronka impanuro z'amategeko

- **Legal Aid NSW**: terefone 1800 551 589 canke raba **www.legalaid.nsw.gov.au**
- **LawAccess NSW**: terefone 1300 888 529 canke raba **www.lawaccess.nsw.gov.au**

Gitugutu 13 October 2013